Medicaid irahinduka guhera ku wa 1 Gitugutu 2026 ku bantu bamwe bakuze batari abenegihugu ba Amerika, kubera impinduka mu mategeko ya reta nkuru

Abantu bamwe bazotakaza ubwishingizi. Raba nimba nawe bikwerekeye.

Ibi birandaba?

Uzogumana Medicaid nimba uri:

- umwenegihugu wa U.S. canke U.S. national
- umwimukira wa COFA (COFA Migrant)
- Umunyakuba canke Umunyahaiti yemerewe kwinjira (Cuban/Haitian Entrant)
- utwite
- ufise imyaka iri munsi ya 19
- ufise Green Card (Lawful Permanent Resident)
    - ufise Green Card kuva nibura imyaka 5
    - canke uri mu basonewe kurindira imyaka 5

Ushobora gutakaza Medicaid nimba uri:

- impunzi canke uwahawe ubuhungiro (asylee) adafise Green Card
- Parolee
- uwarokotse icuruzwa ry'abantu canke umwe mu bagize umuryango wiwe yujuje ibisabwa
- umuntu afise dosiye y'ubwimukira ikiri gusuzumwa

Uzomenya gute nimba ugumana canke utakaza ubwishingizi?

- Nebraska DHHS izosuzuma dosiye yawe.
- DHHS izokurungikira ikete nimba ikeneye ayandi makuru, canke nimba Medicaid yawe igiye guhagarara.
- Iryo kete rizokubwira ico ukwiye gukora.

Nimba utwite:

599 CHIP ni porogarama y'abantu batwite badafise ubwishingizi bw'amagara, kandi irariha ubuvuzi bwo mu gihe co gutwita no kubyara.

Nimba ufise ikibazo c'amagara cihutirwa:

Porogarama yitwa EMSA irashobora gufasha kuriha ubuvuzi bwo mu cumba c'indembe. EMSA ntiriha kwa muganga bisanzwe canke ubuvuzi bubandanya.



Sikana hano kugira uronke ayandi makuru

Omaha Refugee Task Force

Hindura uru rupapuro urabe ubundi buryo bwo kuronka ubufasha.

Ivyo ushobora gukora ubu:



Vugurura amakuru yawe yo kukuronka muri DHHS

Baha aderesi yawe n'inomero ya telefone ukoresha ubu.

- Kuri interineti: iserve.nebraska.gov
- Hamagara 855.632.7633
- Ja ku biro vya DHHS biri hafi yawe



Fungura amabaruwa yose ava muri DHHS

DHHS izokurungikira ikete:

- nimba ikeneye ayandi makuru, canke
- nimba Medicaid yawe igiye guhagarara

Fungura ikete ryose kandi ukurikize amabwirizwa ako kanya.



Menyesha DHHS ivyahindutse

Menyesha DHHS nimba ubu uri umwenegihugu wa U.S.; Lawful Permanent Resident; Cuban/Haitian Entrant; COFA Migrant; canke utwite.

Hamagara DHHS: 855.632.7633 canke uje ku biro vya DHHS biri hafi yawe ubamenyeshe ivyahindutse.

Niwatakaza Medicaid, urashobora kuguma uronka ubuvuzi:

Rondera ikigo c'amagara kiri hafi yawe. Ibi bigo bitanga ubuvuzi rusangi, ubw'amenyo, n'ubw'amagara yo mu mutwe n'inyifato ku buntu canke ku giciro gito:

hcanebraska.org/health-centers/find-health-center/

- **OneWorld Community Health Centers:** 402.734.4110
- **Charles Drew Health Center:** 402.451.3553

Aya mavuriro na yo atanga ubuvuzi ku buntu canke ku giciro gito mu karere ka Omaha:

- **Healing Gift Free Clinic at Kountze Commons:** 402.614.4357 - hanyuma ukande 1
- **Heart Ministry Center Monen Healthcare Clinic:** 402.932.4887
- **Methodist Community Health Clinic:** 402.354.3198
- **Magis Clinic:** 402.881.0143
- **SHARING Clinic:** 402.559.7200 - saba SHARING Clinic canke uvuge "free clinic"

Ronka amakuru n'ubufasha:

- Hamagara Nebraska Medicaid: 1.855.632.7633 canke 402.595.1178 muri Omaha
- Ja ku biro vya DHHS biri hafi yawe: dhhs.ne.gov/Pages/Public-Assistance-Offices.aspx
- Hamagara umurongo w'amakuru wa Douglas County Health Department: 402.444.3400. Hari abasemuzi.

Omaha Refugee Task Force

Sikana hano kugira uronke ikigo c'amagara kiri hafi yawe